**REPUBLIQUE DU BURUNDI**

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI N°22 YO KU WA GATATU IGENEKEREZO RYA 07 MUKAKARO 2021

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa Gatatu igenekerezo rya 07 Mukakaro 2021, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu ahejeje gushikiriza urutonde rw'ivyihwezwa muri iyo nama, yaciye aha umwanya Umunyamabanga Mukuru wa Reta ngo ashikirize ivyavuye mu nama nteguza y'iyo nama nshikiranganji, yarongowe n'Umushikiranganji wa Mbere kw'igenekerezo rya 05 Mukakaro 2021, ivyihwejwe navyo bikaba ari ivyari ku rutonde rw'ivyigwa.

Umunyamabanga Mukuru wa Reta ahejeje gushikiriza icegeranyo Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, ivyihwejwe ni ibi:

1. **Itunganywa ry'imigambi y'ubushikiranganji bujejwe imigabo n'imigambi y'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko, urwaruka, inkino n'imico kama**, yashikirijwe n'umushikiranganji ajejwe imigabo n'imigambi y'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko, urwaruka, inkino n'imico kama.

Uburundi bwarashizeho umugambi w'igihugu w'iterambere, ukaba ariwo wisungwa mugutegekanya imigambi y'iterambere mu bisata binyuranye.

Mu ntumbero yo kugirango ibisata vyose biterere mw'ishirwa mu ngiro ryawo, hasabwe ko igisata cose cogira indinganizo yaco cisunga, be n'itunganyabikorwa ryayo.

Ni muri iyo ntumbero ubushikiranganji bujejwe imigabo n'imigambi y'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko, urwaruka, inkino n'imico kama bwateguye iri ntunganywa.

Iri tunganywa niryo rizisungwa n'ibisata bigize ubushikiranganji uko ari bine navyo bikaba ari ibi :

- Ikijewe iyinjira ry'Uburundi mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko,
- Ikijewe urwaruka,
- Ikijejwe inkino,
- Ikijejwe imico kama.

Iri tunganywa rifise ihangiro ryo guterera mw'iterambere ry'igihugu rifatiye ku migambi Uburundi busangiye n'ibihugu biri mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko, gufasha kugirango imibereho y'urwaruka ibe myiza kuruta, kubungabunga imico kama no guteza imbere inkino isanzwe ifise uruhara runini mu kubana neza no gukomeza amahoro, kugira amagara meza gurtyo abantu bashobore kugwiza umwimbu.

Amerekerezo y'iri tunganywa ni kugira Uburundi butere imbere, bufise uruhara rugaragara mw'ishirahamwe ry'ibihugu vyo muri Afrika y'Ubuseruko, abenegihugu bakahabonera akunguko, urwaruka rukabaho neza, inkino zigatera imbere n'imico kama igakingirwa.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro, yarayemeje, mu ntererano zayo hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Gupfunyapfunya amerekezo y'ubwo bushikiranganji akandikwa mu majambo makeyi;
- Gutegura indinganizo y'ibikorwa bizorangurwa be n'uburyo bukenewe mw'ishirwa mu ngiro ry'iri tunganywa;
- Kwisunga itunganywa nyamukuru ryo mu bushikiranganji bw'imigenderanire mu vyerekeye ingene Uburundi bwinjira mu mashirahamwe yo mu karere ;
- Gukurikiranira hafi urwaruka;
- Ubushikiranganji bujejwe indero n'ubujejwe urwaruka bwofashanya kugirango umugambi wo kurwanya ubukene mu rwaruka uranguke, n'uburyo butangwa n'abafashanya n'Uburundi muri uwo mugambi bube umutahe ugira ico uzanye ;
- Iri tunganywa ryoshirwa mu ngiro biciye mw'itegurwa ry'imigambi (projets).

2. **Integuro y'itegeko rishinga indinganizo y'ibikorwa vya Reta**, yashikirijwe n'Ibiro vy 'Umushikiranganji wa Mbere**.**

Imbere y'uko inama nshikiranganji ikorana, Umushikiranganji wa mbere arakoranya abashikiranganji bakiga ibizokwihwezwa n'iyo nama nshikiranganji nk'uko bitegekanijwe n'ingingo y'133 y'ibwirizwa nshingiro ivuga ko « *Umushikiranganji wa Mbere niwe ashinzwe kuremesha no gutunganya ibikorwa vya Reta. Umushikiranganji wa Mbere ni we akoranya inama zo gutegura inama nshikiranganji* ».

Ingingo y'134 y'iryo bwirizwa nshikiranganji nyene nayo ivuga ko « *Amategeko ntunganyabikorwa ya Reta aratomora uwuremesha ibikorwa vya Reta n'uwubikurikiranira hafi igihe Umushikiranganji wa Mbere afatiriwe*».

Naho ibwirizwa nshingiro ryabitegekanije uko, amategeko ahari nk'itegeko n°100/031 ryo ku wa 28 Mukakaro 2020 risubiramwo itegeko n°100/54 ryo ku wa 24 Nyakanga 2005 ntunganyabikorwa vy'inama nshikiranganji ntiryategekanije uwukurikiranira hafi ibikorwa vya Reta igihe umushikiranganji wa Mbere afatiriwe.

Iyi nteguro ije rero gukuraho ico gihengeri. Hisunzwe ingene abashikiranganji bakurikirana, iyi nteguro itegekanya ko mu gihe Umushikiranganji wa Mbere afatiriwe, uwukurikiranira hafi ibikorwa vya Reta yoba Umushikiranganji ajejwe intwaro yo hagati mu gihugu.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje, mu vyo yaterereye hakaba harimwo ibi bikurikira:

- Gushiramwo ingingo itomora ko mu gihe umushikiranganji ajejwe intwaro yo hagati mu gihugu nawe yafatiriwe, uwundi mushikiranganji ashobora kugenwa kugirango akurikiranire hafi ibikorwa vya Reta,
- Gukura muri iyi nteguro ingingo zijanye n'ingene abashikiranganji bahanwa iyo badohotse ku mabanga yabo kuko bitegekanywa n'ayandi mategeko.

3. **Integuro y'ibwirizwa ritunganya igisata c'ivyerekeye imigenderanire y'Uburundi n'amakungu,** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe imigenderanire y'Uburundi n'amakungu no gufashanya mw'iterambere.

Ibwirizwa nshingiro rya Repuburika y'Uburundi mu ngingo yaryo y'ijana na mirongo itandatu na kane mu gace kayo ka gatatu ( 164, 3°) ritegekanya ko igisata

c’ivyerekeye imigenderanire y’uburundi n’ayandi makungu n’ugahagararira inyungu z’igihugu kigengwa n’ibwirizwa.

Icibonekeza ariko n’uko gushika ubu, ico gisata kikigengwa n’amategeko anyuranye, itegeko ry’Umukuru w’igihugu, amategeko nshikiranganji, ndetse n’inzandiko, kandi ivyo vyose bikaba bifise agahaze. Ivyo navyo bituma ico gisata kidatunganywa neza n’ibijanye n’ingene abakozi bo muri ico gisata batera imbere mu kazi ntibigende neza.

Iyi nteguro ije rero kwisunga ibitegekanijwe n’ibwiriza Shingiro, no gukosora utwo twose duhaze.

Iri bwirizwa rizofasha mu guteza imbere uwo mwuga mu bijanye n’imigenderanire, hisunzwe ingingo ngenderwako zijanye no gukora neza, kuragama mu kazi, gukorera ku mugaragaro, kubandaniriza aho uwundi yari agejeje isemo, no guhindurirwa aho gukorera.

Inama nshikiranganji yari yarihweje iyo nteguro, isanga vyoba vyiza habanje kwigwa neza umugambi w’ibijanye n’imigenderanire y’Uburundi n’ayandi makungu muri rusangi, iyi nteguro ikaza iwushira mu ngiro.

Iyi nteguro igarukanywe inyuma y’aho Reta y’Uburundi yemereje uwo mugambi. Inama nshikiranganji yari yarihweje iyo nteguro irayiterera, ica irayisubiza inyuma kugirango ihinyanyurwa neza.

Muri iyi nama, kwari ukwihweza ko intererano zashikirijwe zafatiweko mu kuyihinyanyura.

Inama nshikiranganji yihweje iyo nteguro ihinyanyuwe yashikirijwe, yasanze ivyasabwe vyose vyarafatiweko mu kuyitosora, ica irayemeza, ibanje kuyunganira mu duce tumwe tumwe.

4. **Intenguro y’imigambi yo mu bushikiranganji bw’imigenderanire y’Uburundi n’amakungu no gufashanya mu vy’iterambere**, yashikirijwe n’umushikiranganji w’imigendaranire y’Uburundi n’amakungu no gufashanya mu vy’iterambere

Mu ntumbero z’ubushikiranganji bw’imigendaranire y’Uburundi n’amakungu no gufashanya mu vy’iterambere nk’uko ziri mw’itegeko n°100/053 ryo ku wa 01 Nyakanga 2020 ritunganya ubwo bushikiranganji, harimwo gutegura no gushira mu ngiro umugambi utunganya ibijanye n’imigenderanire y’Uburundi n’ayandi makungu.

Ni muri iyo ntumbero kw'igenekerezo rya 24 Kigarama 2020, Inama nshikiranganji yemeje uwo mugambi.
Birakenewe rero ko ubushikiranganji bwerekana neza inzira y'ingene uwo mugambi uzoja mu ngiro.

Ni muri iyo ntumbero iyi nteguro y'imigambi yo mu bushikiranganji bw'imigendaranire y'Uburundi n'amakungu no gufashanya mu vy'iterambere yashikirijwe.

Irerekana bikuru bikuru bisabwa ubwo bushikiranganji, kugirango imigenderanire y'Uburundi n'amakungu ikomere kuruta, kandi ukwishira n'ukwizana be n'agateka k'Abarundi bikingiwe.
Iyi nteguro irerekana ibibazo bikuru bikuru bihari, be n'ivyokorwa kugirango bitorerwe umuti.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yarayemeje, mu vyo yasavye hakaba harimwo ibi bikurikira :

- Gukura muri iyi nteguro ibijanye n'uburyo bwoba budakwiye kuko atari ikibazo c'ubwo bushikiranganji gusa, kandi intumbero ya Reta ni ugukoresha uburyo buke umwimbu ukaba mwinshi ;
- Gutegura indinganizo y'ibikorwa ishira mu ngiro uyu mugambi kandi hakama haba isuzuma ry'ingene biriko birarangurwa ;
- Kubera ubushikiranganji bw'imigenderanire aribwo bwinjiriro bw'abafashanya n'Uburundi, ubushikiranganji bwose busabwa gukorana na bwo kugirango ubusuma bukorwa n'amashirahamwe canke abiyita abagwizatunga baza ngaha mu Burundi bugabanuke;
- Ubushikiranganji bunyuranye busabwa kutakira umuntu n'umwe canke ishirahamwe na rimwe ribwitura bitaciye mu bushikiranganji bujejwe imigenderanire y'Uburundi n'amakungu ;
- Kwiga neza inzira yo kurwanya ubusuma mpuzamakungu;
- Ubushikiranganji bwose busabwa gukurikiranira hafi abakozi babwo kugirango ababuragiza abazana imitahe mu Burundi mu kubanza kubasaba igiturire bamenyekane kandi bahanwe;
- Hategerezwa kuba isuzuma ry'akarusho ubuserukizi bw'Uburundi mu makungu bwazaniye igihugu c'Uburundi uko umwaka utashe.

5. **Integuro y'Umugambi wo gutunganya neza ibijanye n'imishahara mu buzi bwa Reta,** yashikirijwe n'Umushikiranganji w'Abakozi ba Reta n'Akazi.

B.P. 2800; Téléphone: 212747; Télécopie: 213545; E-mail: segeta@yahoo.com

Isuzumwa ryakozwe mu bijanye n'ingene Abakozi ba Reta bahembwa ryarerekanye ko hari ubusumbasumbane, nabwo bukaba buva kuri ibi bikurikira :

- Uburusho bunyuranye buhabwa imirwi imw'imwe y'abakozi kandi kenshi butisunga Ibwirizwa rigenga Abakozi ba Reta
- Imishahara minini minini y'ifatiro ihabwa imirwi imw'imwe y'abakozi kuva bagitangura akazi
- Ibisata bikukira Reta vyishingira imishahara y'abakozi bavyo vyisunze ububasha vyahawe bwo kwitunganiriza ivy'intwaro n'ibigega

Ivyo vyatumye haba imyidogo myinshi mu bakozi ba Reta bica bituma badahengeshanya gusaba ko nabo nyene botunganirizwa ntihabe umwana n'ikinono.

Nico catumye mu mwaka w'2016 Reta ifata ingingo mfatakibanza yo kuza irategekanya ku mwaka ku mwaka amahera angana na miliyaridi mirongo ibiri zo kugabanya ubusumbasumbane mu mishahara ku kiringo c'imyaka ine.

Umwaka w'2020 niwo washinzwe kugirango Reta ibe yatunganije ibijanye n'imishahara, ubwo busumbasubane buveho burundu.
Iyi nteguro y'umugambi ishikirijwe muri iyo ntumbero.
Mu gutegura uyu mugambi, intumbero ni ugukuraho ubwo busumbasumbane, be rero no guherekeza imigambi yindi Reta yamaze kwemeza.

Nkako, uyu mugambi ushingiye ku wundi wemejwe mu mwaka w'2014 ujanye no gufatira kuvyo umukozi wa Reta yaranguye be rero no k'ukugene ubuzi bwa Reta, amabanga be n'imyuga bigenda bisumbasumbana nk'uko bitegekanijwe muri wa Mugambi w'Igihugu wo gutunganya gushasha ubuzi bwa Reta.

Inama nshikiranganji yari yarihweje iyo nteguro isanga irakwiye gusubirwamwo kugirango yumvikane neza kuruta.

Inama nshikiranganji yarasubiriye irihweza iyo nteguro mu gihe yagarukanwa irashima ukugene ibijanye n'ubuhinga vyateguwe, ica isaba ko bobandanya intambwe zikurikira, nk'ibijanye n'ingene ivy'amahera navyo bizoca bigenda.

Iyo niyo nteguro yazanywe rero.
Ukugene ibijanye n'uburyo bw'amahera vyaharuwe, vyisunze amanota « 28 » asanzwe afatirwako mu bushikiranganji bw'abakozi ba Reta.

Ku bw'amasendika, ayo manota 28 ntafasha gutorera inyishu ikibazo c'ubusumbasumbane bw'imishahara, kubera ko uburusho buhabwa abakozi ba Reta bake cane, ayo masendika agasaba ko hofatirwa ku manota « 45 ».

Hamwe hofatirwa kuri ayo manota « 45 » , vyoca bisaba uburyo bungaha n'amahera y'amarundi imiliyaridi ijana na mirongo ibiri na na zitanu, imiliyoni amajana icenda na mirongo icenda na zine, ibihumbi amajana abiri na mirongo itandatu na bibiri n'amajana indwi na mirongo umunani n'umunani(125 994 262 788Fbu) ku kiringo c'imyaka itanu.

Mu guhanahana ivyiyumviro, mu vyashikirijwe n'inama nshikiranganji harimwo ibi bikurikira :

- Iyi nteguro ntiyerekana igitigiri c'abamaze gutunganirizwa mu bijanye n'igabanywa ry'ubusumbasumbane bw'imishahara, n'amahera baronse ingene angana,
- Ntiherekanwa icafatiweko mu gushira kuri ayo manota « 45 » kandi ntiyumvikanyweko,
- Ni ukubandanya gufatira ku manota « 28 » kuko « 45 » yotuma abamaze gushika mu mushahara wo hejuru baca babandanya baduga bagasiga abandi ;
- Ishirwa mu giro ry'uwu mugambi ryokwisunga amahera yategekanijwe mu yo Reta izokoresha muri ico gikorwa, ni ukuvuga imiliyaridi mirongo itatu na zine (34) zizofasha abagifise imishahara yo hasi kuduzwa ;
- Imbere yo gushira mu ngiro uwu mugambi, umukozi wewe yobanza agatera igikumu mu masezerano y'ivyo azorangura ;
- Umushahara utegerezwa gufatira ku co umuntu akora aho gufatira ku mpamyabushozi gusa ;
- Harakanewe gusuzuma neza ko ata bantu bahembwa ataho batonda mu buzi bwa Reta ;
- Ibijanye no kuduzwa amapete no gusubira gutanga amahera afatiye kw'ipete ryaduze ku mwaka kuva mu 2016 vyosa nk'uko ari uguhemba umuntu kabiri mu gihe yaronkejwe amahera yatanzwe mu ntumbero yo kugabanya ubusumbasumbane bw'imishahara,
- Hokwerekanwa imishahara yo mu bushikirangani bwose kuko ubu haboneka iyo mu bisata bimwe bimwe gusa ,
- Ibijanye n'amahera atangwa muri INSS na ONPR ntivyoza ngaha muri uwu mugambi kuko intumbero yaramaze gutangwa ku bijanye n'ivyo;
- Ni ugutandukanya amasendika yo mu bisata vya Reta n'ayo mu bikorera ivyabo;
- Mu bijanye n'ingene abakozi bunguruzwa mu buzi, hoshirwaho uburyo bumwe rudende ;

- Abahinga mu biharuro bofasha mu gutunganya ibiharuro bisomeka neza;
- Hotegurwa amategeko ashira mu ngiro ibwirizwa rikingira rikongera rigategekaniriza kazoza bakozi;
- Ibijanye n'uko ivyo muntu yaronse yobigumana ni ivyo kwihweza neza kuko hari ibironkwa mu buryo butabereye canke bunyuranye n'amategeko.

Uwo mugambi uzoheza usubire uhinyanyurwa neza uheze ugarukanwe mu nama nshikiranganji.

6. **Urwandiko rujanye n'iyugara-gurishwa ry'amatonorero y'ikawa (SOGESTAL) n'Ishirahamwe rihingura ikawa (SODECO)**, rwashikirijwe n'umushikiranganji w'ikigega ca Reta no gutunganya imigambi y'iterambere.

Naho Reta yatunganije bushasha igisata c'ikawa bivuye ku ntumbero yatanzwe n'ibanki y'isi yose mu mwaka w'1986 y'uko ama Reta yoshira mu minwe y'abikorera ivyabo ibisata bimwe bimwe, ico gisata nticateye imbere, ahubwo ingorane zarushirijeho kwibonekeza.

Muri izo ngorane harimwo izi zikurikira:

- Ingorane zijanye n'ubuhinga buke,
- Ingoranye zijanye n'itunganywa ry'ico gisata kuva kw'iyimbura ry'ikawa gushika kw'ishorwa ryayo, bigaca bituma haba ibibazo vy'uburyo bw'amahera, abarimyi ntibahembwe, bica bituma Reta iza irishinga abaguzi b'ikawa mu ma banki,
- Ukutubahiriza amasezerano kw'ama SOGESTAL na SODECO, batarishe ivyo bakoteye Reta, ntibababikurikirana kandi ntibabitunganya neza, ukudahemba abakozi, ukutariha amakori n'amatagisi, n'ibindi,

Kubera izo ngorane, kandi kubera igisata c'ikawa ari nkoramutima ku butunzi bw'igihugu, Inama nshikiranganji yo ku wa 01 Kigarama 2019, yarafashe ingingo yo gusubira gushira igisata c'ikawa mu minwe ya Reta.

Ivyakurikiye, haciye hafatwa ingingo zitatu arizo z'izi :

- Gushinga igisata kijejwe guteza imbere igiterwa c'ikawa mu Burundi (ODECA),
- Gufuta amasezerano y'ubukote na SODECO n'amatonorero SOGESTAL atanu (5) (MUMIRWA, KAYANZA, NGOZI, KIRUNDO-MUYINGA, na KIRIMIRO）,
- Gushira mu minwe amatungo ya Reta yakoreshwa mu gisata c'ikawa, amazu, imiduga n'ibindi bikoresho vyahora ari ivya SOGESTAL na SODECO mu ntumbero yo kubikingira.

Mw'iyugara- gurishwa ry'ama SOGESTAL na SODECO, haribonekeje ibibazo bifatiye kuri ibi bikurikira :

- Igihe amasezerano y'ubukote bw'ibikoresho vya Reta yafutwa, ubutunzi bw'ama SOGESTL na SODECO bwari bwifashe nabi, bica bituma imirwi yashinzwe ngo yugare ayo mashirahamwe kandi igurishe ivyayo ibura uburyo bwo gukora,
- Reta imaze gushira mu minwe ya ODECA ivyari ivy'ama SOGESTAL na SODECO, ayo mashirahamwe ntiyasubiriye kuronka ivyo agurisha ngo arihe abo aheraniye.

Kubera ko ivyegeranyo vy'ivyo ama SOGESTAL na SODECO bitunze bihari, ivyokorwa kugira ngo ivyo bibazo bive mu nzira vyoba nk'ibi bikurikira:

- Reta yokwemera ikagurira ayo ma SOGESTAL na SODECO ivyo atunze,
- Ivyo Reta itoshima kugura vyoca bisubizwa ama SOGESTAL na SODECO bigashobora kugurishwa icamunara,
- Mw'iyugara- gurishwa, Reta nayo yofatwa nk'umunyamutahe.

Mu guhanahana ivyiyumviro kuri urwo rwandiko, bimwe bimwe mu vyashikirijwe harimwo ibi bikurikira:

- Kuva Reta ishinze igisata kijejwe guteza imbere igiterwa c'ikawa mu Burundi (ODECA), abarimyi b'ikawa bahembwa amahera yabo ku gihe;
- Kubera uburyo Reta yari yahaye ayo mashirahamwe, harakenewe gukorwa icigwa cerekana igiciro c'ivyo ayo mashirahamwe yari akoteye Reta,
- Mu biharuro bizokorwa, ni ugushiramwo amahera Reta yagiye iratanga mu kuriha abarimyi b'ikawa,
- Iyugara-gurisha ryoba mu muco, uruhara rw'umw'umwe wese rukagaragara kuko yari amashirahamwe asangiwe na Reta n'abikorera ivyabo, kandi hagafatirwa no ku mutahe w'umw'umwe.

Abashikiranganji bajewe ikigega ca Reta n'uburimwi n'ubworozi basabwe gukorana mu kwerekana ivyo ayo mashirahamwe aheraniye Reta hanyuma vyishuzwe, bikenewe Ubushikiranganji bw'Ubutungane bufashe.

7. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga ishure ryigisha ubuhinga bwo gukoresha ibikoho binini binini**
8. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga ishure ryigisha ubuhinga bwo kurwanira mu mazi**
9. **Integuro y'itegeko nshikiranganji rishinga ishure ryigisha ubuhinga bwo gukoresha indege za gisirikare**

Izo nteguro uko ari zitatu zashikirijwe n'Umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba.

Mu gutsimbataza intahe yo kwikukira, kimwe mu vyo Uburundi bukeneye ni igisirikare c'umwuga kandi gikoresha ubuhinga bugezweho.

Ico gisirikare rero gitegerezwa kuguma gikarisha ubwenge kugirango gihangane n'ibibazo biba bihari, congere kije ku rugero rw'ibindi bisikare muri rusangi, cane cane ivyo muri aka karere.

Inzira nyayo yo kubishikako ni inyigisho, mugushira utwigoro mu bijanye n'ubuhinga bw'abasirikare.

Mbere n'ibwirizwa nshingiro rya Repuburika y'Uburundi riravuga ko abasirikare bategerezwa kuronswa inyigisho z'ubuhinga.
Ni muri iyo ntumbero izo nteguro zitatu zashikirijwe.

Mu bisanzwe inyigisho muri ivyo bisata (kurwanira mu mazi, gukoresha indege za gisirikare, no gukoresha ibikoho binini binini) zahora zitangirwa mu mahanga kandi zikazimba, bigatuma higishwa abasirikare bake.

Ishingwa ry'ayo mashure atatu rizotuma higishwa benshi kandi hakoreshejwe uburyo buke.
Inama nshikiranganji imaze guca hiryo no hino izo nteguro, yarazemeje ibanje kuzunganira mu duce tumwe tumwe.

10 **Utuntu n'utundi**

- Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi yarashikirije urwandiko rujanye n'ingene ikibazo ca Reta categuwe n'ingene kiriko kirakorwa, kikaba catanguye kw'igenekerezo rya 06 Mukakaro 2021 kikaba kizorangira kw'igenekerezo rya 09 Mukakaro 2021.
  Abakora ikibazo bangana n'ibihumbi mirongo itanu na bitatu na mirongo irindwi n'umunani ( 53078), ibihumbi mirongo itanu na bitatu na mirongo itanu n'indwi (53057) bakaba bagikorera mu Burundi, mirongo ibiri n'umwe (21) i Nairobi muri Kenya.

  Ibibanza bikorerwamwo ikibazo ni ijana na bitandatu (106), mirongo umunani na bitatu (83) bikaba biri mu gihugu hagati, mirongo ibiri na bibiri (22) mu gisagara ca Bujumbura na kimwe (1) i Nairobi.
  Yamenyesheje ko ibintu biriko bigenda neza gushika ubu.

- Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yaravuze ibijanye no gukwiragiza ubuhinga ngurukanabumenyi mu buzi bwa Reta, aca asaba Umushikiranganji ajejwe ubuhinga bwo gutumatumanako amakuru gutegura indinganizo y'ico gikorwa n'uburyo bukenewe.

  Yaboneyeho akaryo ko gusaba ko mu binjanye n'inyubakwa, abahinga b'Abarundi aribo boza barahabwa akazi imbere y'abandi iyo bahari kandi babishoboye.
  Muri iyo ntumbero nyene, ubushikiranganji bwose bwasabwe kwerekana abakozi bakenewe bivanye n'ibisata, kugirango ubushikiranganji bw'indero bubikorereko mu kurondera no kurungika abaja kwiga hanze y'igihugu ibidasanzwe vyigishwa aha mu Burundi.

  Muguheraheza, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu yasavye abashikiranganji kuboneka ku kibuga kuruta, no gufata ingingo zibereye ku bakozi babo bigenza nabi, ntibaze barandira ko ingingo ziva ku bababakurira.

Bigiriwe i Gitega, igenekerezo rya 08 Mukakaro 2021

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE

B.P. 2800; Téléphone: 212747; Télécopie: 213545; E-mail: segeta@yahoo.com